Ndi umuntu mushasha ariko arasaba ubuhungiro, ariko nta vyangombwa ndaronka

N'iki nokora

Basigurire ko wahunze igihigu cawe kubera umutekano muke kandi wipfuza kwandika usaba ubuhungiro muri Afurika yepfo.

N'iki gica gikurikira

Kuri uru rugero rw'igikorwa, utegerezwa kurekurwa kugira wandike usaba ubuhungiro ariko utegerezwa kubandanya kuba uhagaritswe mu gihe Uwujejwe iyo ngorane (Home Affairs) ariko aragufasha kwandika usaba ubuhungiro ku biro bijejwe kwakira impunzi(Refugee Reception Office).

Ivya nkenerwa ukwiye kumenya

Utegerezwa kuronswa ubufasha ku bijanye n'amategeko. Urashobora guhamagara ishirahamwe kuri paje ya 15 y'aka gatabu.

Nfise visa canke uruhusha rwataye igihe

N'iki nokora

Erekana iyo visa yawe yataye igihe y'impunzi/canke uruhusha rwo gusaba uruhusha rwo kuba mu gihugu, ivyangombwa biranga impunzi canke visa kuri uwo mukozi hanyuma umusigurire igituma yataye igihe.

N'iki gica gikurikira

Kuri urwo rugero rw'igikorwa, utegerezwa kubandanya kuba uhagaritswe. Utegerezwa gucibwa amande canke ugakatirwa gupfungwa. Ubufasha ku bijanye n'amategeko burahari ku buntu kugira bagufashe mu gihe wagirijwe kuba ufise visa yo gusaba ubuhungiro yataye igihe/ uruhusha canke ivyangombwa biranga impunzi.

Nta vyangombwa na bimwe vyemewe nfise. Nta vyangombwa nfise

N'iki nokora

Gusigurira uwo mukozi igituma udafise ivyangombwa muri Afurika yepfo.

N'iki gica gishika

Kuri uru rugero rw'igikorwa, urashobora kubandanya kuba uhagaritswe canke ukarekurwa ari uko ubanje guhabwa amabwirizwa amwamwe. Rondera ubufasha ku bijanye n'amategeko.

Ivya nkenerwa ukwiye kumenya

Utegerezwa kuronswa ubufasha ku bijanye n'amategeko. Urashobora guhamagara ishirahamwe kuri paje ya 15 y'aka gatabu.

Narasavye guhabwa ubuhungiro, ariko narakiriye ingingo ya nyuma yo kubunyima

N'iki nokora

Utegerezwa gusaba guhabwa umwanya uhagije wo kwitegura ubwawe kuva mu gihugu.

N'iki gica gishika

Utegerezwa guhabwa 'itegeko ryo kuva mu gihugu' hamwe n'ikirangamisi c'igihe ukwiriye kuba wavuye muri Afurika yepfo.

Ivya nkenerwa ukwiye kumenya

Iyo utahawe 'itegeko ryo kuva mu gihugu' kandi ukaba wabandanije kuba uhagaritswe, hamagara amashirahamwe ajejwe amategeko buno nyene!

Itandukaniro hagati yo guhagarikwa kubera ivyangombwa hamwe no guhagarikwa bitewe n'ubugizi bwa nabi

Ku ntambwe ya 1 y'igikorwa co guhagarika umuntu, iyo umukozi ajejwe abinjira n'abasohoka yibaza ko uri muri Afurika yepfo ''mu buryo butemewe n'amategeko'', ategerezwa kuguha ifishe ivuga ibi: Kuri uru rupapuro,hazovugwa igice c'itegeko rigenga abimukira uregwa kuba warahonyanze. Section 34 n'ikijanye no guhagarikwa kugira wirukanwe bitewe n' ''ivyangombwa''. Section 49 ni igice c'itegeko ''mpanavyaha'' rigenga uguhagarika abantu kandi ntirigenewe kwirukana abantu. Itandukaniro hagati y'ubu bwoko bwo guhagarikwa rirasigurwa hepfo:

Guhagarikwa bitewe n'ubugizi bwa nabi:

Guhagarikwa bitewe n'ubugizi bwa nabi bishika mu gihe urerwa icaha, harimwo n'icaha co kwinjira canke kuguma mu gihugu mu buryo butemewe n'amategeko. (Ibi bigengwa Section 49 of the Immigration Act..) Iyo vyatewe n'icaha gihanwa n'amategeko, mu gihe udashobora kuriha umushingwamanza, urafise uburenganzira bwo kuronswa ubufasha ku buntu ku bijanye n'amategeko muri sentare.

Iyo washikirijwe sentare hisunzwe Section 49 of the Immigration Act.icaha kikakwagira, utegerezwa ubwa mbere na mbere gupfungwa hagati y'imyaka (2-4) canke kuriha amande imbere y'uko hashobora kubaho ukwirukanwa. N'inyuma y'ibi, urashobora no kubandanya guhagarikwa canke kwongera guhagarikwa kugira wirukanwe hisunzwe Section 34. Imisi 120 yo guhagarikwa izotangura umaze guhagarikwa kugira wirukanwe. Rondera ubufasha mu bijanye n'amategeko buno nyene.

Uguhagarikwa bitewe n'ukutagira ivyangombwa:

Uguhagarikwa bitewe no kutagira ivyangombwa bishika igihe uhagaritswe kugira wirukanwe inyuma yo gusanga ko uri ''Umunyamahanga atemewe n'amategeko.'' (Ibi bigengwa n'igice Section 34 of the Immigration Act.) Iyo wahagaritswe hisunzwe iki gice c'itegeko, utegerezwa kurengutswa imbere y'umucamanza akaba ari nawe azofata ingingo nimba ukwiye kurekurwa canke kwirukanwa.

Kuri paje ikurikira, urahasanga intambwe 2 z'igikorwa co guhagarikwa ku bahagarikwa bitewe n'invo zo kutagira ivyangombwa.

Fata ingingo ubu nyene!

Kuri iyi ntambwe y'igikorwa co kwirukana umunyamahanga (intambwe ya mbere) mu gihe uhagaritswe ubwa mbere, ni nkenerwa gufata ingingo. Ibi biterwa n'ubwoko bw'ivyangombwa ufise. Hepfo, urahasanga inyandiko ijanye n'ubwoko bw'ivyangombwa ufise, hanyuma ukurikize amakuru ariho kugira utahure ico utegerezwa gukora.

Ndafise ivyangombwa bitarata igihe

(harimwo ivyangombwa vy'impunzi, visa y'uwasavye ubuhungiro, visa iyo ariyo yose itarata igiheZEP)

N'iki nokora ▷ Kwereka uwo mukozi ikopi yemewe canke visa wahawe/uruhusha/ PDF ya visa ku buhinga bwa none/nama emails

N'iki gica gikurikira ▷ Utegerezwa guca urekurwa - ariko gusa mu gihe uwo mukozi yashoboye gusuzuma neza ivya ngombwa vyawe bikuranga

Ivya nkenerwa ukwiye kumenya ▷ Baramutse banse kukurekura, rondera ubufasha mu bijanye n'amategeko. Mu gihe utagendanye ivyangombwa vyawe, baza uwo mukozi nimba umuntu ashobora kubikuzanira. Aramutse yanse kuvyemera, mubwire ko ategerezwa gusuzuma ivyangombwa vyawe canke umwidondoro wawe mu gihe c'amasaha 48. Uzorekurwa mu gihe ivyangombwa vyawe bihashitse kandi umwidondoro wawe umaze gusuzumwa. Baramutse banse kukurekura, rondera ubufasha mu bijanye n'amategeko. Raba kuri paje ya 15 y'aka gatabu.

Igikorwa co kwirukanwa

Intambwe ya mbere

Guhagarikwa n'uwujejwe abinjira n'abasohoka canke inyamiramabi

Gusa inyamiramabi canke uwujejwe abinjira n'abasohoka niwe ashobora kugusaba ivyangombwa vyawe kugira werekane ko uba muri Afurika yepfo mu buryo bwemewe n'amategeko. Mu gihe afise 'invo zunvikana' (invo zifadika) zo kwibaza ko udafise uburenganzira bwemewe n'amategeko bwo kuba muri Afurika yepfo, arashobora kuguhagarika mu gihe ariko arasuzuma uburyo ubaye muri Afurika yepfo, akenshi na kenshi akagupfungira ku gituro c'inyamiramabi.

Arashobora kuguhagarika amasaha 48 mu gihe ariko arasuzuma ivyawe, kandi utegerezwa gushikirizwa sentare mu gihe c'amasaha 48 canke ku musi ukurikira w'akazi mu gihe biguye mu mpera z'indwi canke ku musi w'ikonji rizwi na reta.

Iyo amatohoza yiwe asanze uri 'umunyamahanga atemewe n'amategeko,' umukozi ajejwe abinjira n'abasohoka ategerezwa kukumenyesha, mu buryo bwanditse, ko wagirijwe kuba 'umunyamahanga atemewe n'amategeko'. Kubwivyo, uzoshikirizwa sentare. Wibuke, ko ibi bitegerezwa kuba mu gihe c'amasaha 48.

Iyo udashikirijwe sentare mu gihe c'amasaha 48, urafise uburenganzira bwo kurekurwa buno nyene.

Fata ingingo ubu nyene!

Ni nkenerwa cane gufata ingingo hamwe no kuronka ubufasha mu bijanye n'amategeko mu gihe ugeze kuri iyi ntambwe y'iki gikorwa! Raba ibindi vyinshi kuri paje ikurikira.

Intambwe ya kabiri

Kurenguka muri Sentare

Inyamiramabi izokujana mu gasho ka sentare imbere y'ukurengutswa imbere y'umucamanza. Umucamanza azokwemeza nimba uri umunyamahanga aba mu gihugu hanyuma, ni yasanga ariko bimeze, kumbure uzoba ufise invo yunvikana yo kuba washikirijwe sentare.

Muri sentare, ni nkenerwa ko uba ufise ubufasha mu bijanye n'amategeko. Urafise uburenganzira bwo kuronswa umushingwamanza canke bwo gusaba ubufasha mu bijanye n'amategeko. Muri sentare, utegerezwa gusigurira ivyerekeye ivyangombwa vyawe umushingwamanza wawe hamwe n'umucamanza (umujije). Vugisha ukuri hanyuma utange amakuru menshi ashoboka. Mu gihe umucamanza yibaza ko ufise invo yunvikana yo kuba muri Afrika yepfo, muri ico gihe:

- azotegeka irekurwa ryawe canke,
- azotegeka irekurwa ryawe hanyuma agene uwujejwe ingorane yawe (Home Affairs) kugira agufashe kurondera ivyangombwa.

Mu gihe invo zawe zo kuba muri Afurika yepfo zidatomoye, sentare irashobora kwemererauwujejwe ingorane yawe (Home Affairs) gukora amatohoza yimbitse hanyuma, mu gihe asanze bifise ishingiro, agategeka uguhagarikwa kwawe gushika wanditse usaba ubuhungiro mu buryo bwemewe n'amategeko. Urashobora kubandanya guhagarikwa gushika usubiriye gushikirizwa sentare.

Mu gihe umucamanza yibaza ko ufise invo yunvikana yo kuba muri Afrika yepfo, muri ico gihe:

- azokwongereza igihe co guhagarikwa kugira wirukanwe, azokwunvikana n'uwujejwe ingorane yawe (Home Affairs) canke
- azokurekura kugira hakurikire igikorwa co kwirukanwa utiriwe uhagarikwa, mu bihe bimwe na bimwe.

Iyo umucamanza yemeje ko utegerezwa kwagirizwa hisunzwe igice Section 49, ibi vyitwa uguhagarikwa mu rubanza mpanavyaha (ntiruba ari urubanza rusanzwe). Mu gihe wagiriwe n'icaha uzotegerezwa gupfungwa canke kuriha amande imbere yo kwirukanwa canke imbere yo kuronka ivyangombwa, muri Afurika yepfo. Mu gihe ata mutekano biguhesha wo gusubira mu gihugu cawe, utegerezwa kuburana ku vyerekeye uguhagarikwa. Urasabwa gusaba ubufasha ku bajejwe amategeko babutanga ku buntu.

Intambwe ya gatatu

Mu gihe uriko urirukanwa, gupakizwa ujanwa i Lindera

Nimba vyemejwe ko wirukanwa, uzoca ugumizwa ku gituro c'inyamiramabi.

Muri rusangi, uzorindirizwa gushika upakiwe Lindela Repatriation Centre, hafi ya Johannesburg. Rimwe na rimwe wirukanwa ukuwe ku gituro c'inyamiramabi utiriwe ujanwa Lindela, ariko ibi akenshi biba mu gihe ugiye gusubizwa mu gihugu kibanyi.

Iyo uguhagarikwa kwawe kurengeje imisi 120, uba ufise uburenganzira bwo kurekurwa.



Lindela Repatriation Centre ni ikigo kinini ca Afurika yepfo cagenewe abagiye kwirukanwa mu gihugu. Kiri hafi ya Johannesburg.

Waruzi ko?

Igikorwa co kukwirukana gishobora kumara imisi 120, uhereye igihe wahagarikiweko. Iyo utirukanwe inyuma y'imisi yose hamwe 120 uhagaritswe, uba ufise uburenganzira bwo kurekurwa.

Uburenganzira bwawe mu gihe wahagaritswe

Ni nkenerwa kwibuka ko, muri Afurika yepfo, umuntu uwo ariwe wese afise uburenganzira mu gihe co kwirukanwa. Hadashingiwe kuho waturutse, canke ko ufise ivyangombwa canke utabifise - uba ufise ubu burenganzira. Mu gihe co guhagarikwa, urafise uburenganzira:

- Bwo kumenya invo zatumye uhagarikwa.
- Bwo guhamagara kuri terefone: Mu gihe wahagaritswe urashobora gusaba gukoresha terefone ku gituro c'inyamiramabi.
- Guhamagara umushingwamanza (canke umushingwamanza mw'ishirahamwe ritegamiye kuri reta/Uwugufasha mu bijanye n'amategeko, mu gihe udashoboye kuriha umushingwamanza), hamwe n'umusiguzi muri Sentare.
- Gufatwa mu buryo bubereye (harimwo gucumbikirwa mu buryo bubereye / ibifungurwa / ukuvurwa).
- Kumenyeshawa uburenganzira bwawe hamwe no guhabwa amakuru mu rurimi utahura neza.
- Gutembererwa n'abantu bo mu muryango wawe / abajanama mw'idini / abaganga.
- Gutandukanywa n'abakekwako ubugizi bwa nabi.

Mu gihe uburenganzira bwawe butubahirijwe, saba ubufasha mu bijanye n'amategeko. Urasanga amashirahamwe ashobora gutanga ayandi makuru kuri paje ya 15 muri aka gatabo.

Wibuke, imisi yose kwitwaza ikopi z'ivyangombwa vyawe!

4 Intambwe ya kane

Kwirukanwa ugasubizwa mu gihugu waturutsemwo

Uwujejwe ingorane yawe (Home Affairs) azotunganya ivyerekeye ugusubira iwanyu kwawe. Urafise uburenganzira bwo kumenya ibiriko biraba; igihe hamwe n'ukugene uzokwirukanwa.

Urashobora gupakizwa bisi canke indege. Wibuke ko,iyo uguhagarikwa kwawe kurengeje imisi 120, uba ufise uburenganzira bwo kurekurwa.

Inyuma yo kwirukanwa, urashobora kwitwa 'uwutipfuzwa' mu gihugu (ukabuzwa kwongera kwinjira muri Afurika yepfo) mu gihe c'imyaka itanu, kandi ibi bishobora kugira ingaruka ku gusaba visa kwawe muri kazoza, naho igihe co kubuzwa kugaruka wahawe coba caraheze.

Gutunganya ugasubira iwanyu wewe ubwawe

Rimwe na rimwe, urashobora gutunganya ugusubira mu gihugu waturutsemwo wewe ubwawe.

Mu bihe bimwe na bimwe, urashobora gutunganya kuva muri Afurika yepfo wewe ubwawe mu gihe ushoboye:

- Kwerekana ivyangombwa vyo gufata urugendo bitarata igihe
- Kugura itike y'indege (akenshi na kenshi indege idahagarara ahantu na hamwe) igiye mu gihugu waturutsemwo

Mu gihe vyemejwe, uzobandanya kuba uhagaritswe gushika igenekerezo indege yawe izohagurukirako hanyuma uherekezwe gushika ku kibuga c'indege n'abajejwe abinjira n'abasohoka. Umuryango wawe canke abagenzi bategerezwa kwizera neza ko ibintu vyawe biri ku kibuga c'indege kugira ugende ubijanye. Mu gihe ushoboye gutunganya urugendo wewe ubwawe rwo gusubira mu gihugu cawe, turaguteye intege zo kubigenza gutyo - kubera aribwo buryo butekanye bwo gusubira mu gihugu cawe. Gutunganya wewe ubwawe ugusubira mu gihugu cawe birashobora akenshi kugabanya igihe wategerezwa kumara uhagaritswe.

Wibuke!

Abantu bariko barasaba ubuhungiro (baba abafise ivyangombwa canke abatabifise) hamwe n'impunzintibashobora kwirukanwa kandi baba bakingiwe n'amategeko mpuzamakungu abuza ko basubizwa iyo baturutse. Ntushobora gusubizwa mu gihugu waturutsemwo aho ubuzima bwawe, ukwishira no kwizana, canke uburenganzira bwawe bushobora kuja mu kaga.

IBIRIMWO

Uburenganzira bwawe mu gihe wahagaritswe → Paje 4

Igikorwa co kwirukanwa → Paje 6

Muri aka gatabu, turihweza buri ntambwe y'igikorwa co kwirukwanwa. Twaragabuye igikorwa co kwirukanwa mu ntambwe zine, ariko kirashobora gutandukana nizo ntambwe bitewe n'uburyo ubaye muri iki gihugu.

1 **Intambwe ya mbere** → Paje 6
Guhagarikwa n'inyamiramabi canke umukozi ajejwe abinjira n'abasohoka

2 **Intambwe ya kabiri** → Paje 11
Kurenguka muri Sentare

3 **Intambwe ya gatatu** → Paje 12
Mu gihe uriko urirukanwa, gupakizwa ujanwa i Lindera

4 **Intambwe ya kane** → Paje 13
Kwirukanwa ugasubizwa mu gihugu waturutsemwo

Gutunganya ugasubira iwanyu wewe ubwawe → Paje 14

Amashirahamwe ashobora kugufasha → Paje 15

Aka gatabu karasigura:

1. Igikorwa co guhagarikwa hamwe no kwirukanwa muri Afurika yepfo (ku nvo zijanye no guhonyanga amategeko agenda abimukira canke impunzi gusa)
2. N'iki utegerezwa gukora mu gihe wewe (canke umuntu uzi) yahagaritswe kugira ngo yirukanwe
3. Ni ubuhe burenganzira bwawe mu gihe c'igikorwa co guhagarikwa hamwe no kwirukanwa

Mbika neza!

Aka gatabu karimwo ido n'ido rya nomero z'abantu ba nkenerwa hamwe n'amakuru. Kabike ahantu hatekanye hanyuma ubwire umuntu aho wakabitse kugira, mu gihe wahagaritswe, ashobore kukakuzanira.

Icitonderwa!

Urasanga amashirahamwe ashobora gutanga ayandi makuru kuri paje ya 15 muri aka gatabo.

Amashirahamwe ashobora kugufasha

Iyo watawe muri yompi canke wahagaritswe ku nvo zo kwirukanwa, turakugira inama cane yo kurondera ubufasha mu bijanye n'amategeko. Urafise uburenganzira, mu gihe wahagaritswe, bwo kugenderwa n'abo mukundana canke umuryango, hamwe n'abajanama bo mw'idini bashobora kugufasha kurondera ubufasha ku bijanye n'amategeko. Iyo watawe muri yompi kugira wirukanwe kandi ukaba udashobora kuriha umushingwamanza, utegrezwa kandi guhamagara ishirahamwe ritegamiye reta, ryavuzwe hepfo.

National Immigration Detention Hotline

081 716 8791

0800 079 614 (Inomero itarihishwa)

Lawyers for Human Rights (Durban)

031 301 0531

Nelson Mandela University Refugee Rights Centre (Gqeberha)

041 504 1310 or 041 504 4705

University of Cape Town Refugee Rights Clinic (Cape Town)

021 650 5581

078 594 5591

The Scalabrini Centre of Cape Town

021 465 6433

078 260 3536

Scalabrini
Centre of Cape Town

Co-Funded by the
European Union

ICMPD
International Centre for
Migration Policy Development

Contracted by

This document was produced with the financial assistance of the European Union, contracted by ICPMD through the MMD Grant Facility. The contents of this document are the sole responsibility of the Scalabrini Centre and can under no circumstances be regarded as reflecting the position of the European Union or ICMPD.

Kirundi

Aka gatabu kagufasha gutahura ivyerekeye kwirukanwa muri Afurika Yepfo

Scalabrini
Centre of Cape Town